www.kidworship.kr

# Urupfu rwa Stefano

- 21st story -



113Page

**Uwuvuga** Inyuma y'izuka rya Yesu, abatumwa babandanije bigisha ijambo ry'Imana kandi abantu benshi barizera. Abatumwa batoye abantu indwi bazezwa ishengero. Muri bo harimwo umuntu yuzuye ukwizera, yitwa Sitefano.
Izina Sitefano risigura "igitsibo".

---



114Page

**Uwuvuga** Sitefano yakoze ibitangsaza n'ibinyetso bitangaje mu bantunka Yesu, yakijije abarwayi asenda n'abadayimoni. Ni uko, abantu benshi baramukurikira.


**Umurwayi wa 1** Sitefano~ ukuguru kurambabaza. Ndakwinginze ugukize!

**Abarwayi** Nkiza Sitefano! Ndarwaye! Ugh~~~ (ijwi ry'ububabare)

**Stefano** Data, bagirire ikigongwe ubakize~

**Uwuvuga** Hanyuma abo barwayi bagakira neza. Mu bwenge bw'Imana, Sitefano yarasigura neza ijambo ry'Imana. Bituma abantu bamukurikira ku bwinshi.

---



115Page


**Uwuvuga** Hanyuma umusi umwe, abantu bamwe bagirira ishari Sitefano, bamurementaniriza ku nararibonye n'abigisha b'ivyagezwe.

**Umuntu wa 1** Sitefano yabeshe abantu ku vya Mose n'Imana!!

**Umukuru w'abayuda** Iki? Fata Sitefano vyihuta!!

**Uwuvuga Narration** Sitefano ajanwa imbere ya sentare nkuru y'abayuda. Abari aho bose baritegereza Sitefano; ariko mu maso ha Sitefano hasa n'ah'umumalayika.

---



116Page

**Umuntu wa 1** Twumvise Sitefano avuga amajambo yo kurogota kuri Mose n'Imana!

**Ishengero** Ego, ni vyo!

**Uwuvuga** Muri ico gihe mu cagezwe c'abayuda, igihano ku muntu arogose ku Mana kwari ukwicishwa amabuye. Abanka bagasharika Sitefano bipfuza ko yicishwa amabuye. Inararibonye n'abigishwa b'ivyagezwe vy'abayuda barabaza Sitefano:

**Umukuru w'abayuda** Ivyo birego ni vyo?

| | |
|---|---|
| **Uwuvuga** | Sitefano ntiyigeze agira ubwoba. Atangura kwigisha ijambo ry'Imana yihagazeko. |
| **Stefano** | Bene data n'abavyeyi, nimunyumvirize! Yesu yapfiriye abantu biwe ku musaraba. Mwebwe mwaronse ivyagezwe ntimwavyubahiriza hanyuma mwica umwana w'Imana atagira igicumuro. |
| **Uwuvuga** | Abantu bumvise ivyo barashungumirwa. Ariko Stefano ntiyabatinya. |


..............................................................................................................



117Page

| | |
|---|---|
| **Uwuvuga** | Stefano yuzuye Mpwemu yera, arangamiza mw'ijuru aravuga: |
| **Stefano** | Ehe, ndabona ijuru ryugurutse na Yesu yicaye i buryo bw'Imana! |
| **Uwuvuga** | Bavyumvise, abantu barenza urwamo n'amajwi yabo yose biruka iyo Sitefano ari. Bamukura mu gisagara batangura batangura kumutera amabuye! |
| **Uwutanguye gutera ibuye** | Stefano wa mubeshi we!! Argh!! |
| **Uwuteye ibuye ubwa 2** | Warogose ku Mana! |
| **Uwuteye ibuye ubwa 3** | Ukwiriye gupfa! |
| **Uwuvuga** | Sitefano arapfukama arasenga. |
| **Stefano** | Data, akira ubugingo bwanje kandi ubaharire! |

..............................................................................................................



118Page

| | |
|---|---|
| **Uwuvuga** | Sitefano arahava arapfa. Sitefano yagumye avuga ijambo ry'Imana gushika acikane. Sitefano yabaye umuntu wa mbere atanze ubuzima bwiwe ishengero rigitangura. |